
Kuronka
imfashanyo
mu ngwara
no mu mubabaro
Ubutumwa bw'ukuri

Vyakuwe mugitabo ca Gabriele,
umuhanuzikazi n'umutangabutumwakazi w'Imana:

Ugukira kubw'ukwizera, ugukira kwuzuye

(Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza)



1ère édition en Kirundi: octobre 2021

Traduit de l'allemand, titre original:
Hilfe für Kranke und Leidende

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Muri buri muntu harimwo Mpwemu w'Imana, isoko ry'inkomezi, ry'umuco n'agakiza. Imana muri twebwe ishoboye vyose, igihe tuyiyugururiye, isoko ry'inkomezi.

Ibihe vyose IMANA n'urukundo, inkomezi, uburwaneza no gukira. Mu bihe ivyarivyo vyose isi yoba irimwo n'inyifato y'abantu imbere y'umurima w'inkomezi IMANA, ibihe vyose iguma ari yayindi. Umwe wese muri twebwe arafise agatima muntu ko kwihitiramwo kandi n'ukuvuga ko ari we yihitiramwo nimba inkomezi zihoraho z'agakiza kandi z'ubuzima ziduga canke zigabanuka muri we, igihe yihindukirije wese kw'isoko ry'agakiza n'ubuzima canke igihe ateye umugongo IMANA.

Uko dukomeza kwiyugururira k'umugende w'urukundo rukuru, ku nkomezi z'Imana, niko integenke, umubabaro n'ingwara bizimangana.

*U*muntu yibanda kuriwe nyene gusa, ku bwoba bwiwe, uruhagarara rwiwe, imibabaro yiwe, ingwara ziwe n'ibindi bisa navyo, atahura gake inkomezi nkuru ziri muri we kandi zivugira ubudasiba mu bwenge bwiwe: Zimuruka, tahura ko uri uwo mubwami bw'Imana ategerezwa kubaho yisunze amategeko y'agakiza kugira abe uwunezerewe kandi afise amagara meza, no kubishikira.

*I*ciyumviro ciza n'iciyumviro kizirikana Imana, kijanye n'amabwirizwa cumi y'Imana n'inyigisho ya Yesu yo k'umusozi. Ico ciyumviro gishikana k'ukwizera kandi kijana k'ubuzima bukerebutse mukwizera, n'ukuvuga kukwerekeza ku soko ry'inkomezi rinini kandi ry'ubushobozi, IMANA muri twebwe.

*K*uko twese turi abana ba Data ahoraho kandi tukaba twidegemya, umwe wese muri twebwe ni kizigenza ku nyifato yiwe.

Isoko rihoraho ry'agakiza, Imana, n'urukundo kandi n'uburwaneza butagira iherezo. Isoko ry'agakiza ry'urukundo n'ubugwaneza ritemba muri twebwe igihe twemeye guhindura ibiri mu buzima bwacu-twovuga umugwi w'inyifato yacu kamere y'umuntu-muguha ubuzima bwacu icerekezo ciza mu kugiranira no kuzigama amahoro n'abagenzi bacu.

Mwiza, n'Imana kandi Imana n'ubuzima, umurima w'inkomezi ushoboye kugarukana urutonde mumubiri wacu, kuburyo inkomezi zikiza, inkomezi z'ubuzima, zibasha gutemba ziciye mu mushaha no mu mubiri.

Dutegerezwa gutahura ko ikibi kivyara ingwara kandi ko iciza gitanga ugukira.

Ubugombe bw'Imana nuko tuba mumagara meza. Ingwara iva mu vyiyumviro n'inyifato mbi.

Ingwara iva rero muguhagarika imigenderanire n'umurima w'inkomezi wejejwe uri muri buri mushaha no muri buri kagingo k'ikiremwa muntu.

Inyifato mbi yose idutwara inkomezi. Ihungabanya buhorobuhoro ikora ry'umubiri wacu, uko bimara igihe, bikaduteza ingwara. Ariko, ivyiyumviro vyiza, vyuzuye umuco, bitanga inkomezi kandi biduha gukira canke bikatugumiza mu magara meza.

Nta ngwara n'imwe idafise inkomoko yayo mu mushaha. Ikivuye hanze kizokwinjira muri twebwe igihe mumushaha wacu hari ibisa naco kikabikoresha kandi bikipanga mumubiri mw'ishusho y'ibibi, imibabaro, ingwara n'ibindi.



Gukura ivyo bisika bishoboka mugutahura ivyo Yesu yigishije: gutahura ingeso zawe mbi, ukazihana, ukazishira kurutonde kandi ntusubire gukora vyabindi nyene canke ibisa navyo. Yesu yaravuze kandi urukurikirane rw'uko twokura amakosa yacu, imitwaro yacu, muyandi majambo, nk'akarorero aho yavuga: *ukwizera kwawe kuragufashije; genda, ntugasubire gukora icaha.*

Gutyo, atwibutsa ukwizera kw'ibikorwa: bidusaba kugira uruhara mugukora k'urukurikirane rwo gukiza mu gutahura inyifato zacu z'amakosa, mukuvyihana no mukutabisubira. Nukuvuga, abandi sibo bakizigenza b'amakosa yacu, b'imitwaro y'umushaha wacu, ariko ni twebwe, ubwacu. Kandi n'ahacu ho gufata ingingo ata gahato nimba dushaka kwibohora iyo mitwaro.

Yesu yatwigishije gukunda abansi bacu: *kunde abansi banyu; mugirire iciza ababanka*. Uwutahura insiguro yimbitse y'iri ryungane aratahura vyihuse igituma iyi si yacu imeze nkukw'iri. Azotahura ko ata ngwara, ata mubabaro, ata makuba, ata hindagurika ry'ibihe, canke intambara biva ku Mana kandi ko bitaba kubwo igihamana, ahubwo ko ari abantu babiteza. Nico gituma ugukira kwuzuye gushobora kugira ico kumaze igihe dutahuye inyifato zacu z'amakosa – kandi tugatahura uruhara rwacu mubiriko biba mw'isi – tugatangura kubaho mu mahoro n'abagenzi bacu bose, ariko kandi n'ibikoko, ibimera, n'ubutaka twagiye dufata nabi na nubu. Mukubikora, bidusaba kwihana kuri izo nyifato, kuzishira kurutonde dufashijwe na Kristo w'Imana no kudasubira gukora y'amakosa nyene.



Yesu, Kristo, yategetse abakristo gukoresha inkomezi ziwe mugutora umuti wo kudahuza muribo, ukubura ubugwaneza hamwe n'inyifato z'amakosa-zitwa kandi ivyaha-kandi no kutabisubira. Iyo dukoze gutyo, uko kudahuza, uko kubura uburwaneza, biri mumushaha no mumubiri, bica bihinduka uburwaneza. Kandi uburwaneza mumushaha no mumubiri bica bicinyiza canke bikazimanganya burundu imibabaro n'ingwara.

Ico umuntu abiba,azocimbura. Nk'ingaruka, twimbura ivyo twabivye vyonyene atari ku vyo abandi babivye. Co kimwe, ntibishoboka ko abandi bimbura ivyo twabivye.

Niho hava iri tegeko rikora buri kanya: Ibidushikira vyerekana ico turi. N'ukuvuga, bivanye n'ihame «kurungika no kwakira» canke kandi «ibisa birasabirana», Ni twebwe ubwacu «twihamagarira» ikidushikira.

Kunda mugenzawe nkuko wikunda, bisigura ntukamwipfurize ikibi, ntukagire ivyo umwitegako, ntitukamutegeke gukora ivyo twebwe ubwacu dushoboye gukora, ntumuteshe agaciro, ntumugirire ishari, ntumwanke, ntumurwanye, ntumukuremwo inyungu, ntumucokoze kandi ntumwagirize ibinyoma.

Ukwizera nyakuri mu Mana n'ukwizera gufise ibikorwa, n'ukuvuga gushira mungiro intambuko kuyindi kandi buri musi amabwirizwa y'Imana n'inyigisho yo k'umusozi. Ukwizera kutagira ibikorwa, n'ukuvuga ukwizera kudaherekejwe n'ibikorwa bijanye, nukuvuga vyejejwe, niko twovuga ukwizera gupfuye. Ntikuzana ubuzima, kuko ubuzima, n'ibikorwa, birimwo mpwemu w'Imana.



Imana yipfuza kurungika kuri bagenzi bacu inkomezi n'urukundo biciye muri twebwe. Uwipfuza kubona amasengesho yiwe yishurwa ategerezwa kugira inyifato ihwanye n'ivyo asaba.

Abantu baratoranye ingeso yo gutesha agaciro abandi. (...) Ariko, dutegerezwa gutahura ko mugutesha agaciro abandi, twishira hejuru yabo kandi, gutyo, tukishira hejuru y'Imana, kuko Imana ntawe itesha agaciro kandi ntanumwe mu bana bayo icira urubanza. Nico kimwe n'igihe dushira ibidushikiye kubandi, tuba dushaka kwerekana ko turi beza kandi twoba tudakora icaha.

Uwugize muri we inyifato nk'iyo idasobanutse yihatira kuyikomeza akisanga mukwitesha agaciro. Ico kizana kubura umunezero muri we, kubura ubugwaneza, uruhagarara rufatiye kuguhiganwa kandi bikamutera kwishira imbere kenshi mukwiha agaciro.

*U*bwenge bwiwe bwamana uruhagarara.

Igihamana ntikibaho; si kubw'igihamana na gato dufise ico gukora k'umuntu nkuyo canke mugihe nk'ico tukiri bazima.

*B*agenzi bacu sibo soko ry'imibabaro yacu n'ibitugora. Ni twebwe ubwacu biva-ko. (...) Ingwara, amakuba, kutaroranirwa m'ubutunzi n'ibindi bisa navyo, ntibiva ku Mana kandi ntibiva no ku «bandi», ariko biva kuri twebwe nyene, kuko twabitse muri twebwe icabiteye. Mukwishira kure y'ibahari y'ubuzima, twagiye mw'isi igadutse.



Kugira turonke umuco w'agakiza k'umushaha wacu no gukira kw'umubiri wacu, dusabwa kudasubira gukora amakosa-ni ukuvuga ivyahatwitahuyeko. (...) Gutyo, utugingo twose n'ikora ry'umubiri birasho-bora Kuronka imigende y'agakiza ikomeza ikora ry'inkomezi z'ukwikiza mumubiri. Ni mur'ubwo buryo bishoboka gushikira ugukira kwuzuye: ugutyororwa kw'umushaha no gukira kw'umubiri.

Mpwemu w'Imana ashobora vyose igihe tubishaka. Imiti irashobora gufasha mugukura intambamyi zimwe zimwe no mukugabanya ububabare kuburyo inkomezi zikiza, Mpwemu w'Imana, zishobora gukora vyoroshe cane mumushaha no mumubiri. Aho rero, urukurikirane nyarwo rwo gukira ni ugukira kwuzuye gutangwa na Mpwemu w'Imana.

Dutahure ko umuco w'Imana ukomeye cane gusumvya umwiza. Iciza kizokwama kinesha ikibi, kameremere. Nitwe gusa bivako kugira bimer'uko, mukwiyerekeza k'umuco, Imana muri Kristo, umucunguzi wacu, niwe gusa mwiza. Co kimwe n'inyifato mbi izana ingaruka mbi, inyifato nziza izana ingaruka nziza, ariko hoho ziba nziza cane. Iciza gica ibibatsi mumushaha kandi biciye muri wo, kiramurikira umubiri.

Igihe twisuzumye, tugatahura igishaka kuduga mubwenge bwacu kandi kikadushira muruhagarara, hama tugashira kurutonde ibigiteza, hazovuka buhorobuhoro ubuzima bushasha muri twebwe. Tuba twikingiye ingwara n'imibabaro!

Kristo atera intambuko nyinshi agana uwuteye intambuko imwe y'ukuri yo mumutima, amugana. Iciza cose muvy'ukuri – vyaba ivyiyumviro, amajambo canke ibikorwa – kiva ku Mana; kiba kirimwo ibihwanye n'amabwirizwa cumi y'Imana n'inyigisho yo kumusozi. Nitwashira icizigiro cacu cose mu Mana kandi tukemeza gose imisi yose iciza, akarorero amagara, amahoro, ubumwe n'inkomezi, tuzoba tweguriye inyifato yacu k'ubugombe bw'Imana.

Twiyumviriye kw'ijambo «kudakira» mu kureka rikagira akosho kunyiyumvo zacu ico rivuga vy'ukuri, dusanga kitagiramwo ikintu na kimwe c'umwizero. Kandi ahaba hatari umwizero, ntagitera kija imbere. Umwizero, ukwizera, n'icizigiro birakamangana kumuntu yifatanije n'ijambo «kudakira». Muvyiyumviro, ahindukirira cane cane ingwara yiwe no kubura umwizero kwiwe; gutyo agwiza ubwoba akishiriraho ibituma ingwara yiwe ikura. Ni kur'izo nyifato abantu benshi

bihamagarira urupfu giturumbuka biciye muvyiyumviro vyabo.

Ubwoba no kubura umwizero bigabanya inkomezi z'umushaha n'umubiri. Ariko, umwizero n'icizigiro vyuzuye bizana ikanguro ry'inkomezi z'ubuzima.

Uwutahura ugutyororwa kwejejwe, yeza buri musi ingoro yiwe y'imbere, ni ukuvuga umushaha wiwe n'umubiri wiwe, acisha bugufi inyifato yiwe kuko yeguriye ivyiyumviro vyiwe n'inyifato yiwe kubugombe bw'Imana. Ico kijana kugukira kwuzuye n'umunezero.

Nimba mubishaka, mwemeze buri musi gutyororwa kwanyu kwejejwe. Mwemeze ko muri umwana wa Data ahoraho kandi ko ari imisi yose hambavu yanyu n'urukundo rwiwe rwose hamwe n'inkomezi ziwe zo gukiza. Ntimwishinge kuvyemeza canke kuvyiyumvira bisanzwe, ariko mwihatire

kugaragaza ukuri kur'ivyo mwemera muguhindura inyifato yanyu yakamere muntu. Gutyo, muzotahura kandi neza bagenzi banyu, bo, muri Mpwemu wa Data wacu, ni abavukanyi. Gezaho gutoteza abavukanyi banyu muvyiyumviro, mumajambo, no mubikorwa.

Ntivyama vyoroshe misi yose guhindura imibabaro, amakenga, imyitwarariko twabayemwo imyaka myinshi, ariko m'ukwizera gukomeye no mukubiheba kurimwo ubwenge kandi kwuzuye ukwizera Mpwemu w'ubuzima, inkomezi z'ugukiza ziba muri twebwe. Imfashanyo kugira dusohoke mumuzingi w'ikibi tugana iciza twovuga, inkomezi zifasha kandi zikiza – ni gusenga Kristo muri twebwe kenshi kumusi, twovuga kumusenga mumushaha no mumubiri, kuko umubiri wacu ni urusengero, ingoro y'Imana kandi Imana – ni ubuzima n'ugukira – iba muri twebwe. Mu gushira mungiro

buri musi kandi intambuko kuyindi ibigize amasengesho yacu bwite, tureza urusengero rwacuingoro y'Imana kandi gutyo turagarukana urutonde muri twebwe.

Uwisunze Kristo w'Imana, akeza ingoro yiwe arashikira ukwizera gukomeye, aranesha mukwizera kandi yiyegereza Imana. Ukwo gutahura kuratanga kandi umutekano w'imbere.

Itegeko Yesu yatanze munyigisho yo k'umusozi: *Gira inyifato kubandi nk'iyo ushaka ko bakugirako*, vyovugwa no mubundi buryo: *Ntugirire abandi ico udashaka ko bakugirira...* Iyo idini rukristo ryokwiyumviye kandi rigakora nk'uko, ni ukuvuga nkuko Yesu yabidutegetse, m'urukundo ku Mana no kuri bagenzi bacu, ico gihe hobayeho ihanga rimwe riba m'umwidegemvyo n'amahoro, kandi hobayeho ubutunzi kuri bose.

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Yesu n'ibikoko
- Imana muri twebwe
- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye

Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose,
asiguwe mu mvugo y'uyu musi



Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose. *(Impapuro 40)*

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
Gabriele-publishing.com



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com